ITANGAZO MPUZAMAKUNGU RYEREKEYE AGATEKA KA ZINA MUNTU

Intangamarara

Inama Nkuru y'Ibihugu bihurikiye mw'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU

Yihweje ko kwemera ko abantu bose bategerezwa guhabwa agateka n'ukubahirizwa kimwe, ari ryo shingiro ry'ukwishira n'ukwizana, ubutungane n'amahoro kw'isi.

Yihweje ko ukutemera n'ukudakurikiza ingingo zubahiriza agateka ka zina muntu vyatumye hakorwa amabi atagira uko avugwa vyongeye ko isi izira ubwicanyi n'amaganya, aho abantu bose bafise umwidegemvyo mu vyo bavuga no mu kwemera ari yo yemejwe ko zina muntu wese anyotewe imbere ya vyose.

Yihweje ko ari nkenerwa ko agateka ka zina muntu kubahirizwa n'amategeko atomoye kugira ngo umuntu aburaniwe, ntaruhire kwiyamiriza agahotoro n'agacinyizo,

Yihweje ko ari nkenerwa gushigikira iterambere ry'imigenderanire no kwunga ubucuti hagati y'ibihugu,

Yihweje ko mu Masezerano y'Ishirahamwe Mpuzamakungu, amakungu yongeye kwemeza ko ashigikiye ingingo ngenderwako zubahiriza zina muntu wese mw'iteka n'agaciro vyiwe; ko abantu bose bangana ata kuraba igitsina, kandi ko yiyemeje gushigikira iterambere ry'abanyagihugu bakarushiriza kwishira n'ukwizana,

Yihwejeb ko ibihugu bihurikiye mw'Ishirahamwe Mpuzamakungu vyiyemeje, bifadikanije n'Ishirahamwe Mpuzamakungu, kwubahiriza hose ingingo zubahiriza zina muntu wese,

Yihweje ko gutomorera hamwe izo ngingo zubahiriza zina muntu biri n'akamaro ntangere mu kurangura neza iryo banga vyishinze,

Inama Nkuru y'Ibihugu bihurikiye mw'Ishirahamwe Mpuzamakungu:

Iremeje ko ibi bimenyeshejwe n'amakungu ku ngingo zubahiriza zina muntu wese ari yo ntambwe abanyagihugu bose n'amakungu yose bategerezwa gushikako kugirango abantu n'inzego zose, bamize ku mutima izo ngingo, biteho mu nyigisho no mu ndero gusasagaza iyubahirizwa ryazo, bongere batume zemerwa kandi zikwirikizwa hose mu bihugu bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu no mu karere bitegeka.

Ingingo ya 1.

Abantu bose bavuka bishira bakizana kandi bangana mu gateka no mu ngingo zibubahiriza. Bafise ubwenge n'umutima kandi bategerezwa kwubahana nk'abavandimwe.

Ingingo ya 2.

Umuntu wese arashobora kwishimikiza ingingo zose zubahiriza zina muntu zemejwe muri iri Tangazo, ata kuraba ubwoko, urukoba, igitsina , ururimi avuga, ivyiyumviro vya politique

vyiwe canke ibindi vyiyumviro vyiwe ivyo arivyo vyose , igihugu aturukamwo, itunga ryiwe, amavuko yiwe canke ibindi.

Vyongeye, nta macakubiri namwe azogirwa ashimikiye ku buryo igihugu canke intara umuntu avamwo bitunganijwe, ico gihugu canke iyo ntara vyaba vyishira bikizana, bishinzwe n'Ishirahamwe Mpuzamakungu bititegeka canke hari ikindi kibibuza kwishira bikizana.

Ingingo ya 3.

Umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa n'ugukingirwa mu buzima bwiwe, akishira akizana.

Ingingo ya 4.

Nta muntu n'umwe azogirwa umuja canke ngo akoreshwe nk’umushumba. Ubuja n'ukugurishwa nk’umuja, mu buryo ubwo ari bwo bwose, birabujijwe.

Ingingo ya 5.

Nta muntu n'umwe azokubagurwa canke ngo acurwe bufuni na buhoro.

Ingingo ya 6.

Umuntu wese ategerezwa kwubahwa akubahirizwa aho ari hose.

Ingingo ya 7.

Abantu bose barangana imbere y'amategeko kandi bategerezwa kwubahirizwa kimwe kugirango ntihagire uwurenganywa canke ngo ahirahire atume hari uwurenga izi ngingo zimenyeshejwe.

Ingingo ya 8.

Iyo hari uwurenganijwe mu ngingo ngenderwako zimwubahiriza nk'uko bitegekanijwe mw'ibwirizwa nshingiro canke mu mategeko y'igihugu, umuntu wese arashobora kwitwara imbere y'amasentare yose abifitiye ububasha kandi akumvirwa.

Ingingo ya 9.

Nta muntu n'umwe ashobora gufatwa, gutabwa mw'ibohero canke kwangazwa bidaciye mu mategeko.

Ingingo ya 10.

Umuntu wese afise uburenganzira, mu buringanire bwisanzuye, bwo kwitura no kwumvirizwa ku mugaragaro na sentare yigenga kandi ataho yegamiye, igafata ingingo haba kubijanye n’uburenganzira bwiwe canke ivyo umuntu ategerezwa, canke ku bituma nyamukuru bijanye n’ibirego vy’icaha yagirizwa.

Ingingo ya 11

1. Umuntu wese yagirizwa icaha afatwa nk’ uwera mu gihe cose ataragirwa n’icaha hisunzwe itegeko ry’urubanza rwabaye mu ntahe y’icese aho ibisabwa vyose mu kwiregura biba vyakwirikijwe.

2. Nta muntu n’umwe azohanwa ku bikorwa yakoze canke yirengagije, mu gihe bitafatwa nk’ivyaha hisunzwe amategeko y’igihugu canke mpuzamakungu. Vyongeye, nta muntu azohanishwa igihano gihambaye kuruta icashigwa mu ngiro igihe ico icaha cakorwa.

Ingingo ya 12.

Bidaciye mu mategeko, nta muntu n’umwe arekuriwe kwisuka mu vyerekeye ubuzima bw’umuntu, bw’umuryango wiwe, mu rugo rwiwe canke mu makete arungika canke aronka, canke mu bikorwa vyomutesha iteka n’agaciro. Umuntu wese afise uburengazira bwo gukingirwa n’amategeko ahana bene ivyo vyaha.

Ingingo ya 13.

1. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kugenda aho ashatse no gutora aho ashinga urugo rwiwe.
2. Umuntu wese ararekuriwe kuva mu gihugu ico ari co cose, na rwiwe ndetse, no kagaruka mu gihugu c'amavukiro.

Ingingo ya 14.

1. Umuntu wese, igihe acurwa bufuni na buhoro, ararekuriwe kurondera no kuronka ubuhungiro mu bindi bihugu.
2. Ariko ubwo burenganzira ntibushobora kuba icitwazo iyo umuntu akwirikiranwa ku caha yakoze canke iyo yigenjeje kubiri n'imigambi n'ingingo vy'Ishirahamwe Mpuzamakungu.

Ingingo ya 15.

1. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuronka ubwenegihugu.
2. Nta muntu n'umwe ashobora kwamburwa ubwenegihugu canke ngo yakwe uburenganzira bwo guhindura ubwenegihugu bidaciye mu mategeko.

Ingingo ya 16.

1. Bageze mu bigero, umuhungu n'umukobwa barashobora kwabirana bagashinga urwabo, ata ntambamyi n'imwe ishingiye ku bwoko, ku bwenegihugu canke idini. Barangana imbere y’amategeko agenga ingo n’imiryango mu gihe bakiri kumwe canke mu gihe co kwahukana.
2. Abashaka kwabirana bategerezwa kuvyumvikanamwo ubwabo ata gahato.
3. Umuryango ni wo nkomoko y'abantu n'inkingi y'abanyagihugu. Utegerezwa gukingirwa n'abantu be n'igihugu.

Ingingo ya 17.

1. Umuntu wese aba wenyene canke afatanije n'abandi arashobora kwitungira ivyiwe.

2. Nta n'umwe ashobora kunyagwa ivyo yitungiye bidaciye mu mategeko.

Ingingok ya 18.

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kugira ivyiyumviro yisangije mu kwemera n'idini ashatse; n'ukuvuga rero ko ashobora guhindura idini n'ivyo yemera, n'umwidegemvyo wo kuvyerekana ari wenyene canke mu murwi, yihereye canke ari mu bandi, mu nyigisho, mu ngiro, mu gusenga canke mu migirwa yo gusenga.

Ingingo ya 19.

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo guserura ivyiyumviro vyiwe no kuvuga ico yipfuza bisigura ko adashobora kugira umutima uhagaze kuvyerekeye ivyiyumviro yashikirije, ko afise uburenganzira bwo kurondera, kuronka no kumenyekanisha inkuru n'ivyiyumviro vyiwe mu mihingo yose, mu buryo ubwo ari bwo bwose.

Ingingo ya 20.

1. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuja mu makoraniro n'ugushinga amashirahamwe, adahungabanya umutekano.
2. Nta n'umwe ategetswe kuja mw'ishirahamwe ku gahato.

Ingingo ya 21

1. Umuntu wese arafise ijambo mu ntwaro y'igihugu ciwe, wenyene canke aserukiwe nabo yitoreye ata gahato.
2. Umuntu wese arafise uburenganzira , hatarabwe nkunzi, bwo gushingwa amabanga mu buzima bw'igihugu ciwe.
3. Ishaka ry'abanyagihugu niryo nkingi y'ubutegetsi bw'abarongora igihugu, iryo shaka ritegerezwa kugararagarizwa mw'itora nyakuri ritegerezwa kwama riringanizwa uko ikiringo cashinzwe kigeze atawukumiriwe, mu mwiherero canke hakurikijwe ubundi buryo ubwo aribwo bwose bwubahiriza ubwigenge bw'itora.

Ingingo ya 22.

Umuntu wese ategerezwa gukingirwa aho abaye. Ategerezwa gushimishwa mu vyerekeye ubutunzi, imibano n'imico kama, ivyo bikaba ari vyo shimikiro ry'agateka n'iterambere ryiwe, bivuye ku mwete w'igihugu no kugufashanya kw'amakungu bigashimikira kw'itunganywa n'ubutunzi vy'igihugu.

Ingingo ya 23.

1. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuronka akazi, gukora akazi ashatse we nyene, agakora mu buryo buzira akarenganyo kandi nyabwo.
2. Abantu bose bakoze akazi kamwe bategerezwa kuronka agahembo kangana ata nkunzi.
3. Umukozi wese ategerezwa kuronka agahembo gakwiranye n'imirimo arangura kandi nyako, gashobora kumutunga we n'abiwe bakibeshaho mw'iteka, kakongezwa, mbere bishobotse bakamuha n'utundi turusho tujana n'amategeko amwubahiriza.

4. Umuntu wese arashobora kwiyungunganya n'abandi kugira bashinge amashirahamwe y'abakozi. Arashobora kandi kuba umunywanyi wayo kugira aharanire ineza yiwe.

Ingingo ya 24.

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko ku kazi akora hamwe nivyo vyose bimuruhurira, ntakore ikiringo c'umurengera, kandi muri ako karuhuko akaguma ahembwa.

Ingingo ya 25.

1. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kugira ingero yo kubaho ikwiye imufasha kubungabunga neza amagara yiwe n'ay'umuryango, mu ngaburo, mu vyambarwa, mu buraro, mu kwivuza n'ibindi nkenerwa ku muntu; arafise uburenganzira bwo kubungabungwa mu gihe atagira akazi, arwaye, amugaye, apfakaye, mu gihe atagishobora gukora kubera ubusaza, no mu bindi bihe atagishobora kwitunga kandi bitamuturutseko.
2. Umuvyeyi yibarutse n'umwana bategerezwa kwitabwaho kurushiriza. Abana bose bavutse ku babiranye canke kubatabiranye bategerzwa kwitabwaho kimwe.

Ingingo ya 26.

1. Umuntu wese akwiye kuronka inyigisho ataco atanze, cane cane mu y'intango ari yo ngenderwako. Inyigisho y'intango itegerezwa gutangwa vyanse bikunze. Inyigisho yerekeye ubuhinga n'imyuga itegerezwa gukwizwa hose, inyigisho yo mu mashule yisumbuye itegerezwa guhabwa ababishoboye bose, ata nkunzi.
2. Inyigisho itegerezwa kwitwararika ko zina muntu ashikira ubwisanzure nyakuri n'uko ingingo zimwubahiriza zirushirizaho kwubahirizwa. Itegerezwa gufasha amakungu yose amoko n'amadini yose kwumvikana, kwihanganiranira n'ugucudika, ikongera igafasha Ishirahamwe Mpuzamakungu mu vyo irangura kugirango ibungabunge amahoro.
3. Abavyeyi ni bo bategerezwa kwitorera indero abana babo bakwiye kuronka.

Ingingo ya 27

1. Umuntu wese arashobora gukwirikirana ata nkomanzi ivyerekeye imico n'utugenegene vy'aho aba be no guteza imbere ubuhinga kama akagira n'ico avyungukako.
2. Umuntu wese ategerezwa kwubahirizwa ku vyavuye mu bwenge bwiwe ari ivy'ubuhinga, ibitabu yanditse canke ivy'utugenegene.

Ingingo ya 28

Umuntu wese arakeneye ko mu gihugu abamwo no mu makungu hasasagara amahoro kugirango ingingo zubahiriza zina muntu wese zitegekanijwe mu bimenyeshejwe muri iri Tangazo zubahirizwe hose.

Ingingo ya 29.

1. Umuntu wese arafise ivyo ajejwe aho aba, ari naho honyene ashobora gushikira iterambere nyakuri yipfuza.

2. Nta muntu n'umwe ashobora kwitwaza ingingo zimwubahiriza mu gihe ashaka kurenganya abandi, gurtyoza imigenzo mwiza, kudurumbanya umutekano n'ineza biranga intwaro rusangi.
3. Izo ngingo zubahiriza zina muntu wese ntizishobora gukwirikizwa mu buryo budurumbanya imigambi n'ingingo vy'Ishirahamwe Mpuzamakungu.

Ingingo ya 30.

Nta ngingo n'imwe y'ibi bimenyeshejwe ishobora gufatwako icitwazo n'igihugu, umurwi w'abantu canke umuntu mugukora ibisambura izi ngingo zubahiriza agateka ka zina muntu wese.